NSW GOVERNMENT | Education Public Schools

Walk safely




# IVYEREKEYE KWIRINDA IMPANUKA MW'IBARABARA

**URAFISE URUHARA MU BIJANYE N'UMUTEKANO W'ABANA BAWE MU GIHE BARIKO BAJA CANKE BAVA KW'ISHURE.**

# Tambuka witwararitse

Fata amaboko y'abana bawe umwanya wose – iyo muriko muratambuka mu kayira gacamwo abagenda n'amaguru, aho bahagarika imodoka hamwe n'aho bajabukira ibarabara – gushika bafise n'imiburiburi imyaka 8.

Mu gihe abana bawe bafise hagati y'imyaka 8 na 10, bahagarikire hafi na hafi iyo begereye ku matara n'aho bajabukira ibarabara.

**Mu gihe uhisemwo kureka abana bawe barenza imyaka 10 kuja no kuva kw'ishure n'amaguru bonyene, tunganye urugendo mwese hamwe. Gira imyimenyerezo yo kugenda neza n'amaguru mu:**

- kugendera ku ruhande rw'i bubanfu mu nzira icamwo abagenda n'amaguru
- kwitararika imiduga yinjira canke isohoka impangu
- kudasamazwa n'ibikoresho ngendanwa canke abandi bantu
- Gukoresha iyindi nzira itekanye ija i muhira mu gihe c'imvura
- kwereka icubahiro abandi bantu bagenda n'amaguru.

**HAGARARA!** ku ntambwe imwe kuva ku nkengera z'ibarabara.
**IHWEZE!** guma wihweza ku mpande zose.
**UMVIRIZA!** urwamo rw'imiduga iriko iregereza.
**IYUMVIRE!** hameze neza kujabukira?

**Himiriza abana bawe:**

- kwama bitwararitse gukoresha ikibanza kimeze neza kugira bajabuke ibarabara nk'aho abagenda n'amaguru bajabukira, ku matara canke aho abanyeshure bajabukira, iyo hariho
- kuraba imiduga iriko irakata imbere y'uko bajabuka ibarabara hamwe n'aho imiduga yinjirira canke isohokera impangu
- kutigera bishiramwo yuko uwuriko aragendesha umuduga ashobora kubabona canke ngo ahagarare kubera bo
- kuraba mu maso uwuriko aragendesha umuduga kugira bamenye yuko yababonye
- kurindira gushika uwuriko aragendesha umuduga ahagarare gose imbere y'uko bajabuka ibarabara hamwe n'aho imiduga yinjirira canke isohokera impangu.



**Ukeneye ubundi bufashwa**

Ja ku gisata kijejwe Inyigisho Zijanye n'Umutekano wo mw'Ibarabara kuri https://education.nsw.gov.au/road-safety-education canke uje kuri https://education.nsw.gov.au hanyuma urondere inyigisho zijanye n'umutekano w'ibarabara.